ISHIRAHAMWE MPUZAMAKUNGU

ONU MU BURUNDI

Amahangiro y'iterambere muri iki kimpumbi (OMD)

Ibihugu 191 bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU vyiyemeje kuba vyashitse kuri aya mahangiro mu mwaka w'2015

Amahangiro n'Imigambi hamwe n'Ivyo kwisunga

I Kugabanya ubukene burengeje hamwe n'inzara.

a) Kugabanya gushika ku ca kabiri c'ibitigiri vy'abantu badashikana uburyo bw'idorari rimwe ku musi, ivyo bikazoba mu myaka yo kuva mu 1990 gushika mu 2015.

* Ibitigiri vy'abantu badafise uburyo bushika kw'idorari rimwe ku munsi.
* Ibiharuro vyerekeye ko hari ubukene ufatiye ku kugene abantu babayeho.
* Ingene ica gatanu c'abantu bakenye gusumba abandi babayeho.

b) Kugabanya gushika ku ca kabiri c'ibitigiri vy'abantu bageramiwe n'inzara, ivyo bikazoba mu myaka yo kuva mu 1990 gushika mu 2015.

* Ibitigiri (kw'ijana) vy'abana batarashikana imyaka itanu badakura neza (badakwije ibiro botegerejwe kuba bafise).

* Ibitigiri vy'abantu (kw'ijana) badafise inguvu ngombwa ku muntu kugirango umubiri wiwe ukomere.

Cahinguwe n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu Burundi rifashijwe n'ikigo ca ONU kijejwe kumenyesha amakuru (UNIC), Bujumbura

II. *Bose bategerezwa kuba barahejeje n'imiburiburi amashure y'intango*



a) Mu mwaka wa 2015, ni ugukora ivyo vyose bikenewe kugirango abana bose, abahungu n'abakobwa bo kw'isi yose babe bize n'imiburiburi amashure y'intango.

* Ibitigiri (kw'ijana) vy'abize amashure y'intango.
* Ibitigiri vy'abanyeshure batangura umwaka wa mbere w'amashure y'intango bagashobora guheza umwaka wa gatanu.
* Ibitigiri (kw'ijana) vy'abantu bafise imyaka iva kw'15 gushika kuri 24 bazi gusoma no kwandika.

III. *Gushira imbere uburinganire bw'ibitsina n'ubwigenge bw'abakenyezi.*

a) Mu mwaka wa 2005, ibitigiri vy'abahungu n'abakobwa bitegerezwa kuba bingana mu mashure y'intango n'ayisumbuye bishobotse, mu 2015 naho bikaba bingana mu ngero z'inyigisho zose.

* Kuraba ingene ibitigiri vy'abakobwa bingana ubigereranije n'ivy'abahungu mu mashure y'intango,ayisumbuye no muri Kaminiza.
* Ibitigiri vy'abakobwa bafisekuva ku myaka
* gushika kuri 24 bazi gusoma no kwandika ubigereranije n'ivy'abahungu.

* Ibitigiri (kw'ijana) vy'abakenyezi bafise impembo mu bindi bice atari uburimyi.
* Ibibanza vy'abakenyezi mu nama nshingamateka.

IV. *Kugabanya ibitigiri vy'abana bapfa bari munsi y'imyaka itanu.*

a) ***Kuva mu mwaka w'1990 gushika mu 2015, n' ukugabanya ibitigiri vy'abana bapfa bari munsi y'imyaka itanu gushika ku bice bibiri vya bitatu(2/3).***

* Ibitigiri vy'abana bapfa bari munsi y'imyaka itanu.
* Ibitigiri vy'abana bapfa ugereranije n'ivyo abakuze.
* Ibitigiri vy'abana b'umwaka umwe bakingiwe indwara y'agasama.

V. *Guteza imbere amagara y'abakenyezi.*

a) ***Kuva ku mwaka w' 1990 gushika mu 2015, ni ukugabanya ibitigiri vy'abakenyezi bapfa gushika ku bice bitatu vya bine (3/4).***

* Ibitigiri vy'abakenyezi bapfa ubigereranije n'ivy'abandi.
* Ibitigiri vy'abakenyezi bibarukira kwa muganga ubigereranije n'ivy'abibarukira i mihira.

VI. *Kurwanya umugera wa SIDA, Marariya n'izindi ndwara.*

a) Kuva ubu gushika mu mwaka w'2015, ni uguhagarika igwirirana ry'ibitigiri vy'abandura umugera wa SIDA, ahubwo ibitigiri aho kuduga bikamanuka.

Bariza muri UNIC: Tél. (257) 22 5018 Fax. (257) 24 1798
E-mail:unicbuj@undp.org, Site Web: www.cinu-bi.org

* Ibitigiri vy'abapfasoni bafise umugera wa SIDA kuva ku bafise imyaka 15 gushika ku bafise 24.
* Ibitigiri (kw'ijana) vy'abakenyezi bakoresha ubuhinga bwo gutandukanya imvyaro.
* Ibitigiri vy'abana bagizwe impfumvyi na SIDA.

b) Kuva ubu gushika mu mwaka w'2015, ni ukurwanya bimwe biboneka, Marariya n'izindi ndwara zibangamiye gusumba abanyagihugu. Ibitigiri vy'abo zihitana n'abazirwara na vyo bikaba vyatanguye kumanuka.

* Ibitigiri vy'abarwara Marariya n'ivy'abo ihitana.
* Ibitigiri vy'ababa aho Marariya ikaze gusumba, bikingira kandi bakaronka imiti ibakiza iyo barwaye iyo ndwara.
* Ibitigiri vy'abarwara igituntu n'ivy'abo gihitana.
* Ibitigiri vy'abarwara igituntu bamazekumenyekana bagakurikiranirwa hafi bakaronka n'imiti yo gupfupfahaza.

VII. *Kwitaho no gukingira ibidukikije.*

a) Kutibagira muri Politike z'ibihugu gushimikira ku mategeko y'iterambere rirama, gutyo ibidukikije vyoye kuguma bitituka.

* Ibitigiri vy'ahari ibibira.
* Uko ibice vy'isi bikingiwe bingana mu ntumbero yo kugumana ibinyabuzima vy'ubwoko bwose.
* Ingero y'inguvu umuntu akoresha.
* Uko ivyo asohora mu guhema bingana (Kuri ivyo bimenyetso hariyongerako ibintu bibiri vyerekeye ihumana ry'ikirere ari vyo vy'ibi :
  - itituka ry'igisenge c'ivyuka
  - igwirirana ry'ivyuka bituma isi iguma ishuha).

b) Kuva ubu gushika mu mwaka w'2015, ni ukugabanya ibitigiri vy'abantu batagira amazi yo kunywa meza.

* *Ibitigiri (kw'ijana) vy'abantu bafise amasoko y'amazi meza.*

VIII. *Gutunganya ugufashanya kw'ibihugu mw'iterambere.*

a) Kuva ubu gushika mu mwaka w'2020, ni uguteza imbere uburaro bw'abantu bagera n'imiburiburi ku miliyoni ijana bakiba mu tururi.

* Ibitigiri vy'abantu baba ahantu hakwije ibikenewe ku buzima.
* Ibitigiri vy'abantu bashobora kuba ahantu heza. (Uko uburaro bwifashe mu bisagara ugereranije n'ubwo mu mitumba birashobora gufasha kugira ico umuntu yokwungura ku bantu baba ahantu hadashemeye).

Mu bimenyesto bikurikira, bimwe bimwe bizokwigwa ukwavyo.Ivyo ni nk'ivyerekeye ibihugu bitaratera imbere vyo muri Afirika, n'ibindi bihugu, vyaba ibitagira umuhora canke amazinga matomato.

Imfashanyo ijanye n'iterambere ry'ibihugu.

b) Kubandanya urudandaza n'ugufashanya kw'ibihugu bimwe biboneka kandi ata gihugu gikumiriwe. Ivyo bisaba kwiyemeza gutunganya intwaro ibereye ishira imbere iterambere no kurwanya ubukene, haba ku gihugu ubwaco canke ku bihugu vyose vyo kw'isi.

* Imfashanyo nyezima yo gufasha ibihugu kwiteza imbere. Kuraba ibice vyayo kw'ijana uyigereranije n'ivyo ibihugu vyishinze gufasha ibindi gutera imbere bisanzwe bikoresha iwabo (hoba ibice 0,7 kw'ijana kuri ivyo bihugu bitanga imfashanyo, 0,15 kw'ijana na vyo bikaba ivy'ibihugu bikiri mu nzira y'amajambere).
* Ibitigiri vy'imfashanyo igenewe ivy'imibano (inyigisho mu mashure y'intango, ivy'ubuvuzi budahanitse, imfungurwa,amazi meza hamwe n'ivyerekeye isuku).

c) Gutorera umuti ingorane zihambaye gusumba z'ibihugu bitaratera imbere kugirango uwo mugambi ushoboke, bisaba ko boreka ibihugu bitaratera imbere bigashorera ibintu mu makungu bitarinze kurihishwa, ingurane bifitiye ibindi bihugu zikagabanywa, izerekeye ugufashanya n'ibindi bihugu na zo bikazibihebera, hakaba n'imfashanyo ku bihugu vyerekanye koko ko biriko birarwanya ubukene.

* Ibitigiri vy'imfashanyo idashemeye
* Ibitigiri vy'imfashanyo igenewe ibidukikije mu mazinga matomato ari mu nzira y'amajambere.
* Ibitigiri vy'imfashanyo igenewe ivy'ugutwara abantu n'ibintu ku bihugu bitagira imihora.

Ivyerekeye amasoko

* Ibitigiri vy'ibidandazwa bidatangirwa ikori (ibirwanisho bitarimwo).
* Ibitigiri (kw'ijana) vy'ibiheberwa ibihugu bitaratera imbere ku vyimburwa ndimwa, ibihingurwamwo impuzu, n'impuzu nyene.

d) Gutorera umuti ingorane z'amazinga matomato ari mu nzira y'amajambere(mu gukurikiza umugambi wo guteza imbere amazinga matomato ari mu nzira y'amajambere hamwe n'ivyo inama ya 22 idasanzwe yashitseko.

* Intererano zitangwa n'ibihugu vyishinze gufasha ibindi gutera imbere mu vyerekeye uburimyi no ku bishorerwa mu makungu.
* Ibitigiri vy'imfashanyo yo guteza imbere urudandaza.

Ingene ingurane zifashe

* Ibitigiri vy'ingurane z'umurengera ibihugu bikenye vyahebewe.
* Ico ingurane imariye ibidandazwa bishoka mu makungu n'ibindi bikorwa (kw'ijana).
* Ibitigiri vy'imfashanyo itangwa kugirango ingurane zigabanuke.
* Igitigiri c'ibihugu bimaze gushira mu ngiroumugambi n'akigoro ku bihugu bikenye bifise ingurane z'umurengera.

e) Gufata kumwe ingorane y'ingurane z'ibihugu biri mu nzira y'amajambere, mu gufata imigambi haba ku gihugu ukwaco canke ku bihugu vyose, ku buryo izo ngurane zirihwa mu kiringo kirekire.

f) Ibihugu biteye imbere bifashanije n'ibihugu bikiri mu nzira y'amajambere, ni ukuraba imigambi yotuma urwaruka ruronka akazi keza kandi karufitiye akamaro.

* Ibitigiri vy'urwaruka rwo kuva ku myaka 15 gushika ku rufise 24 rutagira akazi.

g) Ibihugu biteye imbere bifashanije n'amahinguriro y'imiti, ni ukugwiza imiti nkenerwa ku buryo abayikeneye bayironka kandi ku giciro kidahanitse mu bihugu bikiri mu nzira y'amajambere.

* Ibitigiri vy'abantu badashobora kuguma baronka imiti nkenerwa kandi ku giciro giciriye hafi.

h) Ibihugu biteye imbere bifashanije n'abigenga, ni ugukora ibishoboka kugirango ubuhinga bwa none, canecane ubuhinga bujanye n'ukuronka amakuru n'ukuyatanga bushike hose.

* Igitigiri c'abafise iterefone ku bantu 1000.
* Igitigiri c'abafise utumashini tw'ukwandika twa kijambere ku bantu 1000.

Cahinguwe n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu Burundi rifashijwe n'ikigo ca ONU kijejwe kumenyesha amakuru (UNIC), Bujumbura